

# WARAKOZE MUHANYI

BIMENYIMANA Augustin






N.B: I. Igitero ca 1,2,3,4,5,6,7, bijanye na Action de Grâce

II. Igitero ca 8,9 bijanye na Confirmation, Effusion, Assemblées Charismatiques

III. Igitero ca 10,11 bijanye na Vocation

# <u>WARAKOZE MUHANYI</u> Par Bimenyimana Augustin

R/ **Warakoze Muhanyi Ndagushimiye ku vyiza vyawe Ndagushimiye**
**Ntawusa nawe Mana Ndagushimiye Ndakuye-ubwatsi Ndagushimiye**

1. Ewe Mana-uradukunda-ugaherezako
waduhaye-umwana wawe ngw'aducungure
Iyo Yezu-atadupfira ku musaraba
mbega yemwe ivuka ryacu ryomaze-iki?

2. Watugaburiye ifungurwa y'ubuzima
umubiri n'amaraso vya Yezu kristu
Ngo dukomere dukomeze-urugendo
rudushikana mu buzima budahera

3. Waremesheje-abarushe baremerewe
ubuzuza amahoro n'ukwizigira
Waduhaye umugisha n'umuhezagiro
uduhaza ivyiza vyinshi ni-uninahazwe

4. Se w'impfuvyi, mutabazi w'abapfakazi
ugira neza-ur'intungane muri vyose
Uburanira-abarushwa n'abatobato
ugatabara-abihebuye n'abacinyizwa

5. Ukura-umukene n'umworo mu mukungugu
ukabicarika ku ntebe z'abami
Mukama ni wewe ntwari ku rugamba
n'umwizigirwa muri vyose ni-uninahazwe

6. Wadukijije-akabonge n'agahinda
imvyino z'urweze n'impundu bihanirane
Abamugaye basimba bugeregere
impumyi zirahumuka turorera

7. Wadukijije n'indwara zananiranye
ingeso mbi zituganza-urazitsinda
Wacagaguye-imigozi yari-ituboshe
utugira-abidegemvya babohotse

8. Watwitoreye mu bandi tutabikwiye
udutuma kumenyesha-inkuru nziza
Watwambitse-umutamana w'icubahiro
udusiga-amavuta y'agahimbare

9. Wasutse Mutima wawe kuritwebwe
We ngabirano yagakura watwemereye
Watwujuje-ingabirano be n'ingabire
utugira-abararwa bawe muri Mutima

10. Wadukenyeje-umukanda w'ubweranda
udushirako-umwitwikiro w'ubutore
Watwiyegereje ngo tukubere-abatumwa
ni-ikimenyamenya c'ubwami bw'Imana

11. Uduha-abatumwa bawe ngo badufashe
basukure-imitima yacu ngo yere de
Batwigishe-ijambo ryawe ry'ubuzima
gutyo tugakomera mu bweranda

Chorale Saint Vincent de Paul Nyakabiga
Retranscrit par : Nasasagare Bien Aimé